Ibibazo n'inyishu (kubijanye n'inkurikizi kuvy'ubutunzi)

Ikibazo: Ni izihe nkurikizi z'umugera wa Sida kubutunzi?
Inyishu: Igitigiri c'abakozi isi ifise kiriko kiragabanuka biturutse kubwinshi bw'abariko barandura canke barapfa kubera Sida. Impfu sizo zonyene zibangamira ubutunzi ariko kandi ni nacanecane amamiriyoni y'abarwaye batagishobora gukora. Umugera wasida ubangamiye canecane abageze mumyaka yo gukora bigatuma inkurikizi mbi zawo zigwiza na kabiri. Ico kiza kiza, kibangamiraye ubutunzi bw'ibihugu kikiriko kuko aho giciye hasigara impfuvyi nyishi zitagira shinge na rugero.

Ikibazo: Mumiryango yacu hoho?
Inyishu: Umugera wa sida urabangamira ubutunzi muri rusangi n'ubw'imiryango budasigaye inyuma narirya gituma iyo miryango itagishoboye kwikenura. Hejuru y'ivyo, iyo hari abarwaye mumuryango, ubutunzi bwose bw'urwo rugo babuhereza mukubagurira imiti mbere kenshi na kenshi, n'abandi batarwaye bo muri urwo rugo, birakenerwa ko baguma imuhira kugira barwaze bongere biteho abo barwaye. Kubera ko ubushobozi n'ubutunzi bw'umuryango buba bwagabanutse, uwo muryango wose uca wugarizwa n'ingorane kandi no gufungura ntibaba bakironka ibikwiye. Mubihugu igitigiri c'abanduye kiri hejuru ya cumi kw'ijana, imyaka yo kubaho iriko iragabanuka bivuye kuri ico kiza c'umugera wa sida.

Ikibazo: None twovuga ko ababangamiwe cane ari abatize?
Inyishu: Oya. Ahariho hose, n'abize menshi barabangamiwe n'umugera wa sida. Mbere aha niho ningorane ziba ari nyinshi kuko igihugu kihahombera abakozi bavyize kandi babishoboye. Abo rero bize menshi barageramiwe nabone kandi n'abari bashoboye gukora vyinshi vyiza bariko baragabanuka. Ivyo rero bizotuma umwimbu ugabanuka cane muri kazoza, kandi kikaba ari n'ikindi gituma ubutunzi bw'ibihugu bubandanya bwifata nabi. Nkuko twamaze kubivuga, abari bageze mumyaka yo gukorera igihugu nibo babangamiwe gusumba abandi ibi rero bigatuma amareta atakaza ubushobozi bwo kurangura imigambi mishasha kubera abanyagihugu bahora batanga amatagisi baba bagabanutse abandi batagishoboye gukora.

Ikibazo: None twihebure?
Inyishu: Muvyukuri, ibi bitwerekako vyihutirwa ko duhagurukira rimwe tukagira ico dukora. Nitwarera amaboko, iyo ngorane izoguma ikomera ibangamire ubutunzi gusumba. Ariko twovira hasi rimwe tugakora mugutanga inyigisho, mugukomeza uburyo bwo kwikingira, mukwitaho, mugushigikira, no kuvura/kuvuza abarwaye, vyotuma dusubiza inyuma ico kiza ca sida mbere n'ubutunzi twatakaje bugasubira kwisununura. Twihweje aho umugera wa sida ugeze muri iki gihe, biraboneka ko atawokwihebura ariko kandi ko igikorwa c'umwumwe gikenewe cane gusumba uko vyahora.